**JOHN THE BAPTIST/FORERUNNER OF JESUS CHRIST**
**Luc. 1:57-66, Mat. 3:1-12**
**Lesson 25**
Memory verse: "***Repent, for the kingdom of Heaven is at hand."*** **Mat. 3:2**

**YOHANA UMUBATIZI/ INTEGUZA YA YESU**

**Icirwa ca 25**

**Luke 1:57-66, Mat. 3:1-12**

**Ijambo ngenderwako** :"*Mwihane, kuko ubwami bwo mw'ijuru buri hafi*" **Mat. 3:2**

**I. Ivuka rya Yohana**

Zacharia umuherezi mu ngoro y'Uhoraho n'umugore wiwe elizabeti bari bashaje bataradonka umwana. Imana isezeranira Zakariya kumuha umwana w'umuhungu. Amusaba kuzomwita Yohana. Arakekeranya bituma agobwa ururimi kugeza uwo mwana avutse.

Ivuka ryiwe ntiryabaye nkirisanzwe kubandi banababantu bose. Ryabaye iribonekamwo ubushobozi bw'Imana, ryari ryaravugishijwe n'Imana biciye mu mumarayika Gabuliyeli. Vyari vyaravugishijwe n'abandi bavugishwa imyaka 400 imbere yo kuvuka kwa Yesu.

Igihe cose wumvise Imana igize ico ikubwira, urumviriza, ugahora, ukarindira wihanganye kuko ataco wokora ngo ukinyarutse canke ukibuze gushika. Muri iki gihe c'iherezo abantu benshi basigaye bameze nk'ubwatsi bwo mu ci baturiye mukwirukanga kurondera ababavugishwako. Abo barataye umurongo bibaviramwo kurwa kuko Imana ikeneye ico ikubwira ; ifise inzira nyishi yogusanga aho uri hose nko mu rusengero nka Zakariya.  Bitabaye ivyo benshi bisanga babaye abaraguza imizimu ku misozi no muvyumba bita ivy'amasengesho. Abameze gutryo bameze nk'imifunda yo mukiyaga, kandi bashobora guhusha ijuru bibaza ko bariko bararirondera

**II. Inyigisho za Yohana**
Niwe yatanguje igikorwa co kubatiza muri ubu buryo bwo kwibirikwa mu mazi menshi. Abisirayeli babatirijwe muri ca kiyaga bajabuka. **Ikor.10 :1-2 « Bose**

**bakabatirizwa kuba aba Mose muri ico gicu no muri ico kiyaga »** Yesu yavuze ko atawavyyawe n'umugore ahwanye na Yohana kubera impamvu nyishi :
- yabaye iherezo ry'igihe c'amategeko aba intango y'igihe c'ubuntu muri Kristo.
- Yari yuzuye Mpwemu w'Imana ;
- Ivyo yakora vyose yabikorana ishaka ata bwoba ;
- Yemera kubaho ubuzima bugoye kubera igikorwa c'Imana ; …

Yabaye uwusumba abandi bavugishwa bose kuko yamenyekanishije inkuru izotuma abana ba Israyeli baruhuka gutanga ibimazi kugira baharirwe ivyaha. Abitwa abanyamahanga nabo bacika abana b'Imana muri Kristo Yesu. **Yoh 1:12.** « ***Ariko abamwakiriye bose, yabahaye ububasha bwo gucika abana b'Imana*** »

Yigishije abari baje kwihana umwe k'uwundi. Arababwira ko hamwe batohinduka ntibitege ubwami bw'ijuru. Abatozakori, abasoda, abafarizayo, … aba bari abantu batinyitse mu gihugu ariko wewe yarababwira ko bakwiye kwihana ivyaha vyabo. Yarigisha ata bwoba kugeza aho bamwe biyumvira ko yoba ari Mesiya. Arabahakanira yemeza ko yaje kumutegurira inzira.

**III. Uupfu rwa Yohana**

**Soma Mat. 14:1-12.** Herodi yari yarongoye umugore wa mwenewabo, Yohana adatinye aramubwira ko yakoze icaha. Biramubabaza aca amushira mu gasho bimuviramwo kumwica bamuciye umutwe. Ighe yari akiri mw'ibohero yarumva ibivurwa kuri Yesu, amutumako abigishwa biwe mugabo ntiyashatse kumukiza kuko igihe ciwe cari cageze. Kandi ntaho tubona ko yamwidogeye. Mu vyago umuntu acamwo hari naho asenga inyishu ntiyihute ntibituma uca utakaza imigenderanire wamanye n'Imana.

**IV. Gushira mu ngiro.**

Turabona muri iyi nyigisho ko ukwihana ari yo nzira yonyene umunyavyaha yemererwa kwegera Imana agahabwa imbabazi kubw'ivyaha yakoze. Uwiyorobeka ntazorarwa igihugu c'isezerano co mw'ijuru. Naho ivyaha vy'umuntu vyoba ari vyinshi gute Uhoraho arabiharira kandi akakwitaho **Yes. 49:16** « *Ehe ngushanij mu biganza vyanje, inzitiro zawe ndazihoza kw'amaso* ». Nubu aguhaye kaze.